DIYOSEZE BUBANZA
IBIRO NSHINGWABUTUMWA

Ruhuhuma 2024

Imvo : Gushikiriza inyigisho z'amapfungo

Ya Pasika 2024

Ku basaserdoti mwese

ba Diyosezi Bubanza

Basaserdoti b'Umukama,

Ndabaramukije amahoro y'Imana.

Nje kubashikiriza inyigisho z'amapfungo ya Pasika 2024 zateguwe n'Ibiro Nshingwabutumwa vya Diyoseze.

Kubera ko tudafise icivugo Ndongorabutumwa c'uyu mwaka turimwo, Umwepiskopi ahagarariye Papa muri iyi Diyoseze yacu ya Bubanza, yasavye ko twobandanya tunoganza inyigisho zerekeye ingo n'Imiryango.

Umutwe w'iyo nyigisho ni : **AGACIRO K'ISAKRAMENTU RY'UKWUBAKA RUKRISTU**.

Iyo nyigisho ishikirizwa imirwi y'abakristu ikurikira :

- Abagabo, abagore n'abapfakazi ;
- Urwaruka rwakomejwe ariko rutabandanije amashure ;
- Urwaruka ruri mu mashure yisumbuye kuva mu mwaka w' 7-13.
- Urwaruka rwiga muri kaminuza bari kumwe n'urwaruka rufise akazi aho bashobora kuboneka ;
- Abakozi ba Leta
- Abikorera utwabo (Abadandaza, aba shoferi b'Imodoka n'ama moto).

Abana bari mu Mikangara y'Imana biga mu mashure y'Intango (Gushika ku myaka 14), bazoronswa inyigisho zabo zijanye n'igihe ca Yubile yuguruwe ku musi mukuru wa Epifaniya (4/1/2024). Abasaserdoti bajejwe ubutumwa bw'Ibikorwa vya Papa mu maparuwase bazobategurira inyigisho zabo.

Turipfuza kuronka ivyegeranyo bizoba vyavuye mu mirwi itandukanye kugira haboneke vy'ukuri umuti wo kurandurana n'imizi ingeso mbi y'ugucikira n'ugucikiza hamwe no kuvyara amashushu.

Turangije tubipfuriza Ikarema nziza mwese.

Umuvyeyi Bikira Mariya ababike mu Mutamana wiwe !

Musenyeri Théogène MURWUWUNDI
Umuyobozi w'Ibiro nshingwabutumwa

DIOCESE DE BUBANZA
BUREAU PASTORAL
D. S. 213
Bujumbura

DIYOSEZE BUBANZA Ruhuhuma 2024

IBIRO NSHINGWABUTUMWA

## INYIGISHO Y'AMAPFUNGO YA PASIKA 2024
## AGACIRO K'ISAKRAMENTU RY'UKWUBAKA RUKRISTU.

**Ijambo ry'Imana : Tobito 8, 4-9**

## O. INTANGAMARARA

Mu bihe vya none, imiryango igeramiwe na vyinshi. Twebwe Abarundi n'Abarundikazi, dusigaye turahura imico n'ingeso henshi no ku buryo bwinshi, haba mu bivugwa mu nsamirizi, mu vyo dukura mu binyamakuru no mumboneshakure, mu buhinga bwa none bw'ugutumatumanako no guhanahana inkuru, haba ibiva mu migenderanire dufitaniye n'abo tugendera canke abatugendera. Ego ni ko **"Akanyoni katagurutse ntikamenya iyo bweze"**, ariko kandi n'" **Ingenzi y'imihana ni yo nzanyi y'amazimwe".** Aho rero tubwirizwa kuhagabira, tukamenya gutandukanya ivyiza n'ibibi,ibishigikira ubuzima mu miryango n'ibibusinzikaza canke mbere bikanabusambura.

- Murazi ko abakiri bato basamazwa na vyinshi, kandi bishobora kubabuza kwitegurira neza ibanga ry'ukwubaka. Bisigaye bishika henshi ko imiyabaga, imisore n'inkumi, bigenza nabi, na canecane ugukora imibonano mpuzabitsina batarubaka. Iyo umwigeme atwaye inda y'ishushu, iyo nyifato mbi y'umuhungu n'umukobwa, izana ukutumvikana n'induru hagati y'abavyeyi. Baciye bacikiza canke bagacikira naho, biba urudubi. Muri ico gihe, abavyeyi barababara, bagateterwa, bagasuzugurwa, mbere bagatanako umwikomo: umugabo agata umwikomo ku mugore wiwe ngo ni we yareze nabi, bakibagira ko indero itangwa n'abavyeyi bompi. Ugasanga barahagaritswe no guhabwa amasakramentu kandi atari bo bacumuye, bivuye ko babashigikiye. Ingeso mbi y'ubusambanyi dutanzeko akarorero, ikwegera ingo amabi menshi: Ukwandukizanya indwara zidakira, akamenyero kabi ko kutigumya no kurenga ibigo, ukutizerana, umuryano n'ibindi...

Kubera ko ingeso mbi yo gucikira no gucikiza yabaye ndanse mu maparuwase yacu, twashimye ko dusubira kwibukanya agaciro k'Isakramentu ry'ukwubaka rukristu kugira ngo ryubahirizwe nk'uko Imana ibishaka. Muri iki gihe c'Ikarema twikubite agashi, abamaze kugwa mu rudubi tubashikire, tubahanure bagaruke mu ruhongore, abatararurwamwo nabo bicungere, bazitire bataronerwa.

**Iyi nyigisho rero iri mu bice bitatu**:

1. Mu mico n'Imigenzo y'abarundi: Ukwabirana ni **"Ibanga"**.
2. Muri Ekleziya, ukwabirana ni "**umugambi w'Imana**".
3. Muri Ekleziya, ukwabirana ni" **Isakramentu**".

## IGICE CA MBERE: MU MICO N'IMIGENZO Y'ABARUNDI : UKWABIRANA NI "IBANGA"

- **Ibanga ni iki?**

1. "Ibanga" ni ijambo riba hagati y'abantu babiri bakariha intumbero y'uko ata wundi muntu n'umwe azorimenya.

"Ibanga" rero ni ijambo umuntu ashikirizwa, agasabwa kurizigama, kwama arizirikana, ntarimene mu kurisanzaza mu bandi bantu, ntarikwize agahinga. Iyo bishitse akarimena bamwita "**ikimenabanga",** ico kikaba igitutsi gikomeye. Umuntu bamwise "**ikimenabanga**", ntawamwizera ngo amubitse ibanga ryiwe. Kandi n'uyu musi niko bikiri.

2. Ijambo **"Ibanga**" rirakoreshwa n'iyo umuntu bamushinze **"Igikorwa"** bakamubwira ko ari ibanga ahawe.

Muri ico gihe ico gikorwa ashinzwe aracitwararika n'ubwira bwinshi, akamenya ko ari co kimutera iteka iyo akiranguye neza, kikamuha n'agaciro.

3.**Aho hambere hari amabanga menshi.**

Abantu bataramenya Imana y'Ukuri **"barabandwa",** uwo babandiwe bakavuga ko bamwinjije mw'" **Ibanga".** Baramubwira bati: **"Uraba urihawe uzorigumya".** Nawe akishura ati: **"Nzorigumya cane".** Kandi yararizigama, akumva ko ari ibanga rikomeye, atazokwigera ahemukako. Abamisiyonari bahaboneye menshi mu kutumenyesha Imana y'Ukuri, kubo abantu bagira ngo bagomba kubamenesha ibanga.

- Iyo batira "**Umushingantahe**" mu kumushikiriza intahe bavuga ko **"yatiwe mw'ibanga",** nawe yaraterekera abashingantahe agira yinjiremwo, abakungu n'urwaruka, mbere n'abavumvyi bagashikirwa; bose bakabona ko ashikirijwe ibanga rikomeye. Barabimwubahira, maze ijambo azoshikiriza canke imanza azoca zikemerwa.

- Muri Ekleziya uwatiwe mu busaserdoti aba yinjiye mw'Ibanga rikomeye. N'ukwihebera Imana mu babikira canke mu bafurera ni ibanga ryubahwa. Ibanga iryari ryo ryose uwurihawe aribangira ingata. Ni ukuvugako aritwara atamena.

- Kuva kera, Abarundi bari bazi ko Ukwabirana ari ibanga rikomeye rwose. Rihabwa umusore avuye mu bwana yumva ko azoshobora gutunga umugore n'ukwitwararika urugo rwiwe, ntihazogire uwurucishamwo ijisho. N'umwigeme n'ukwo nyene, yemera kwubaka ari uko abona ko azotunganya ivyo mu rugo vyose, rukaba urugo rw'iteka. Si ukurya ikirori rero, ni ukwinjira mw'ibanga. Uwuryinjiyemwo ahamagarirwa kurizigama, kurihagararira, kuryanjanjwako **ni ukumena ibanga.**

- Niyo mvo batariha Umwana; umusore ategerezwa kuba akwije imyaka 21 y'amavuka, umwigeme nawe 18, kandi no ku yandi mabanga ni uko nyene. Ivyo Amasezerano ya Leta n'ay'Ekleziya babihurizako, bakavyubahiriza, kuko barazi bose ko ayo mabanga atari ayo gufyinirako. Kiretse bishitse hakaba imvo zihambaye. Nico gituma abana bafyinatira kw'ibanga ry'ukwabirana baba bariko baratyoza indero bahawe. Abavyeyi rero muhagabire ku ndero muha abana banyu, ni mubamenyeshe "ikizira kikaziririzwa; Urwaruka, imisore n'inkumi babwirizwa gutegera ko iryo banga ari" **iry'abakuze"** birinde kwita mu rudubi guko inkurikizi zifata abaryiyinjijemwo badategera, bataryiteguriye ribasigamwo imvune izobakurikirana ubuzima bwabo bwose, maze n'abababona bakabita ibimenabanga. Iryo banga rero riritonderwa kandi riritegurirwa,

si ugupfa kubana gurtyo kuko barayamaze bati: "**Iyiza kurisha ihera ku nama**", kandi ngo "**Ubuza gusha buratagata**". Iyo nteguro y'umugambi igenze neza, n'ibikurikira bigenda neza.

Gushika n'ubu rero, mu kwitegurira ibanga ryo kwabirana hari intambwe zikurikizwa:

**a) Intambwe ya mbere: Integuro ya kure: Indero y'abana**

Mu Kirundi bagira ngo" indero iva hasi"" bakongera bati: "Igiti kigororwa kikiri gito", ni ukuvuga ko umwana bamutoza indero akiri muto, ataramenya n'ico bamubwiriza, kuko hari aho bishika ugasanga indero mbi y'umwana itukwa se na nyina. Ni co gituma mu ndero abavyeyi baha abana babo, baritwarika kubaronsa impanuro zitandukanye zizobafasha gushika mu bigero, kuzovamwoabasore n'abigeme b'ibanga, batera iteka ababibarutse, incuti n'abagenzi.

**Intambwe ya kabiri: Integuro ya hafi: Indero y'Urwaruka.**

Kuva kera, umusore ariko aragera mu bigero baramwigisha ibikorwa biranga umushingantahe w'ibanga, bakamumenyereza n'ibikorwa bimwebimwe bikorwa na serugo nko: gututurira ibitoke, kwubaka inzu, gusobanya urugo, gusasira ikawa, gutera ibigazi, n'ibindi.

- Umwigeme nawe nyene ibikorwa bijanye no guteka, gusenya, kugira isuku, gusasa n'ibindi.

Muri iki gihe tugezemwo abavyeryi bokwiga neza ibikorwa birangurwa uyu musi bomenyereza abana babo, kugira ngo bazobatere iteka mu gihe bazoba bashinze izabo.

**-Ni muri iyi nteguro nyene haraba kandi izi ntambwe zikurikira**:

- **Kureshanya no gushimana:** Aho hambere abavyeyi nibo bashimira abageni abana babo, ariko uyu msi si ko bikiri; umuhungu n'umwigeme nibo bayaga, bakishimanira; maze bagapfundika umugambi wo kwubaka urwabo. Baca bahana "Ikado n'uruvugano". Ikado ni ikintu kiboneka umuhungu aha umwigeme (Umwambaro w'igitenge, isaha, ikirato, itelefone) ; Uruvugano narwo ni "amafranga umuhungu aha umukobwa maze akazorwizwa n'incuro cumi ku gashimwe kazotangwa n'abavyeyi". Akarorero uruvugano ari 5.000: Agashimwe ni 50.000Frs. Ariko rero kuvyerekeye uruvugano n'agashimwe nta tegeko ribamwo hakora umwumvikano, hagatangwa ikibonetse. Menya neza, umukobwa ntapfa kwakira ama "kado n'uruvugano" ataragenzura neza ivy'uyo muhungu, ari yo mvo ukureshanya gutegerezwa kumara igihe kitari gito.

- **Kumenyesha abavyeyi:** Iyo umuhungu amaze kuvugana neza n'umwigeme, bose baca bagenda kubimenyesha abavyeyi babo. Abo bavyeyi, bamwe bamwe ku ruhande rwabo, baca bagerageza kugenzura mu mpisho uwashimanye n'umwana wabo, bakamenya n'umuryango yarerewemwo kugira nabo batange iciyumviro cabo ku bushimane bw'abana babo.

- **Gusaba irembo:** Abavyeyi b'Umuhungu baravugana n'abavyeyi b'umwigeme **aho bahurira** kugira bavugane ibijanye n'agashimwe. Kuri uyo musi nta manza zikorwa.

- **Gukwa-Gusasigwa:** Kuri uyo musi, abavyeyi bari kumwe n'umuhungu wabo n'abandi baryango bakeyi (ntiborenza abantu 10) barajana agashimwe kugashikiriza abavyeyi b'umwigeme. Wa muhungu ari kumwe n'abagenzi bane canke batanu bamuherekeje. Uwo musore rero arasasirwa, umugenzo mwiza werekana ko abaye umukwe wabo, ata wundi azojana uwo mwigeme. Mu ntara nyinshi, mu gusasira umukwe ni ho bamuzimana inkoko iteguye neza, bayita "isake y'Umukwe". Ibi

abasore biharaje bakaja iyo bazokura umugeni kurya inkoko bataratanga agashimwe nibihagarikwe.

**Menya neza: Muvy'ukuri, nta zindi nteguro zo kuzimanwa ziba imbere y'ugusasirwa haba hasigaye urubanza rw'ubugeni kwoba ari ugusesagura. Ni co gituma ubu ahenshi babishira ku munsi umwe, kubera ubukene bwugarije ingo n'imiryango.**

**b) Intambwe ya gatatu: Amasezerano muri Komine.**

Imbere y'uko bahana Isakramentu ry'Ukwubaka rukristu babanza kuja gusezerana muri Komine. Ingo ni zo zigize igihugu. Igihugu naco kigizwe n'amategeko hamwe n'inzego. Ni co gituma mu mategeko y'igihugu, Leta yashizeho amategeko agenga ingo n'imiryango kugira ngo bahereze agaciro abasangiye urugo kandi bibakingire kuvyosambura urugo. Hari ivyo urugo rutegerezwa kurangurira igihugu n'ivyo igihugu gitegerezwa kurangurira urugo.

## IGICE CA KABIRI: MURI EKLEZIYA, UKWABIRANA NI "UMUGAMBI W'IMANA".

### • UMUGAMBI W'IMANA

- Mu gitabu c'Amamuko, turabona ko Imana imaze kurema ibintu vyose tubona kw'isi, yagize iti : « Tugire umuntu, tumwishushanyeko, ase natwe,... ibarema ari umugabo n'umugore, Adamu na Eva. (Amam1,26). Kandi Umukama Imana ni We nyene ubwiwe yivugiye ati : « Si vyiza ko umuntu aguma ari wenyene, **ngira ndamugiririre umufasha bakwiranye** (Amam 2,18). Ni umugambi w'Imana rero !

- Yabaremye ari umugabo n'umugore, ica irabahezagira. Imana ibabwira iti : « Ni murondoke kandi mugwire, mwuzure isi muteko muyiganze » (Amam 1,27-28). Adamu rero arikamaza ati : « ubu ho rero ni igufa ry'amagufa yanje, ni umubiri w'umubiri wanje ». Nico gituma umugabo azoheba se na nyina akunga ubumwe n'umugore wiwe, bakaba umubiri umwe. - Ijambo « kwunga ubumwe » mu nyandiko yo mu ntango y'Igihebreyi ryerekana abantu banywanye bugashika, bafitaniye igishika co ku mubiri no ku mutima, gushika n'aho barikoresha mu kudondora ubunywanyi kumwe n'Imana (Izaburi 63,9) Ubunywanyi bw'ababiranye ntibujanye gusa n'umubiri be n'ihuzabitsina, ariko bubonwa kandi nk'ukwitangiranira ata gahato gukomotse ku rukundo. Intumbero y'ubwo bunywanyi ni « ukugira bashike ku kuba umubiri umwe » (A.L n° ..13). Adamu na Eva Imana yarabafatanije, irabakundanisha, barunga ubumwe, barashira hamwe, baragerageza guhwanya umutima, baragendana batagenzanya, barafashanya, ibibazo vyatanguye bamaze guhendwa na sekibi, bakagarariza Imana. Abo bavyeyi bacu ba mbere baragendeye muri wa mugambi w'Imana wo kwubaka urugo ruzima, ntaho bavuga ko bakebagujwe muri wa mugambi w'Imana w'urukundo n'ubuzima. Ni ukuvuga ko ukwubaka urugo utari mu mugambi w'Imana, uri mu mugambi wishingiye wewe nyene n'uwo ushimye ko mwubakana, umuntu ahahombera vyinshi, na canecane wa muhezagiro w'Imana utuma urugo ruhumeka Imana n'ivyiza biyikomokako.

- Umugabo rero Imana yashatse ko agira umugore umwe, n'umugore akagira umugabo umwe rudende, **kandi ahawe n'Imana** atari uwo yirondereye. Ni ho urukundo rwabo rugira ishingiro kandi rugakomera, rukanaramba. Ntaho turumva umuvyeyi yashingiye umuhungu wiwe abagore babiri mu gihe kimwe ; nk'uko ata mwigeme ashingirwa abagabo babiri. Imana yatanze umwe, ni wo mugambi yari ifise ku muntu kuva ikimurema. Ukwabirana kuri mu mugambi w'Imana, kuratandukanye cane n'ukwabirana guteguwe mu cipfuzo ca muntu gusa, ni ukuvuga gufatiye mu mugambi w'umuntu, mu vyiyumviro no mu vyipfuzo vyiwe gusa. Mu gitabu ca Yudita, biraboneka neza ko Abayuda batashinga urugo bafatiye gusa ku gushaka kwa muntu,

ariko na canecane, **kwari ukugira bashire mu ngiro ico Imana yabategetse kuva kuri ba sekuru na ba sekuruza**. Imana yaraberetse ingene bazorangura uwo mugambi wayo w'urukundo n'ubuzima. **Imana ni Yo mamuko y'umuryango w'abantu**. Umuryango rero ntushingiye ku masezerano ava ku gushaka kw'abantu gusa. Imana ni Yo yifataniriza umugabo n'Umugore (Mt 19,5-6)) maze nabo bakemerana. Iyo ni yo nyigisho Ekleziya yamye ishikiriza uko ibihe vyagiye birakurikirana.

- Imana imaze guha Adamu umugore yaciye agira akanyamuneza kamuje, kuko abonye ko aronse umufasha bakwiranye. Erega mu biremwa vyose iyo biva bikagera nta na kimwe cari camushitse ku nyota. Kuki? Kuko yari yabuzemwo uwo muntu basa. Umugambi w'Imana wari uwo **kugirira neza urwo rugo**, Imana ni Yo yahezagiye abageni ba mbere, n'ubu ni Yo ibandanya **kubahezagira imbere y'uko babana** ; ugukwegana buhene, ni ugutuka Imana yaremye umuntu, ikamuha ubwenge bwo gusobanura ikibi n'iciza. Ni ukuyigarariza yo nyene ubwayo n'umugambi wayo.

- Kubera urukundo Imana yari ibafitiye yaciye ibashira mu murima wa Hedeni (Amam. 2,15). Muri Hedeni bahaba banezerewe, Imana ikaza kubaramutsa, ikaraba ko bakiri muri wa mugambi wayo w'urukundo n'ubuzima. Bakiri muri ako kanyamuneza ntaco binona ! Ariko rero ntivyaramye. Barateze umusaya sekibi arabahenda, baragarariza Umuremyi, **baragambarara,** baribagira ivyiza vyose yabagabiye.

## • INGARUKA Y'UBWO BUGAMBARAZI

Ababamutseko mu buzukuru no mu buzukuruza batangura kuzana abagore benshi, mbere bamwe bamwe batora abageni mu banyamahanga basenga ibigirwamana, birateba birabibagiza Imana y'ukuri na wa mugambi yari ibafiseko, batangura gusenga ibigirwamana vy'abanyamahanga. Ibuka ivyo abami Dawudi na Salomo bakoze bahenzwe n'ubwishime bw'ubukuru n'amatungo bari bafise, bariyobagiza ko bimitswe n'Umukama Imana. Ariko igihe cose bavyibutse baca basaba ikigongwe Imana! Ukwubaka batishimikije wa mugambi w'Imana vyababereye nko kwishira akagozi mw'izosi, bagaterwa n'abansi, indwano zigasekera, Umukama Imana akabareka bagahona; n'abasigaye bakabura amahoro. Ni uko urukundo mu bantu rwatosekaye. Ariko umuntu yokwigana ibibi canke yokwigana ivyiza! Uyu musi twegamiye hehe? Birabereye ko twubakira ku mugambi w'Imana, tukayubaha kandi tukayigamburukira. Ntituzoyibona ije ngo isubire itubwire iti :reka gutwarana nk'ibikoko bitagira ubwenge, ariko ica ku ntumwa zayo. Nimuhanuze, mwirinde gutangurira ku gicumuro, mugume mu bunywanyi n'Imana.

## IGICE CA GATATU: MURI EKLEZIYA, UKWABIRANA NI " ISAKRAMENTU ".

### Amasakramentu ni iki?

Amasakramentu ni ibimenyetso vyeranda Yezu Kristu yahaye Ekleziya, ngo bibe uburyo bw'uguhwana na We, kuko ariwe soko ry'ubuzima Imana itugabira ubudasiba.

### •Twotegera gute Isakramentu ry'Ukwubaka Rukristu?

- Yezu Kristu yaje hano kw'isi kugira ngo asubize mu buryo ivyo ubugaba bw'abantu bwari bwononye. Yahereye inyigisho yiwe mu gutagatifuza ubugeni bw'i Kana mu Bugalile; ni co kimenyetso ca mbere yerekanye, abigishwa biwe baca baramwemera (raba Yoh 2,1-11). Yarahavuye ashimangira ubumwe budacika bw'abubakanye, mu kwibutsa ko ari co Imana yashatse gushinga kuva mu ntango. Igihe abafarizayo bamutega umutego mu kumubaza ko umugabo ashobora kwirukana umugore wiwe ku mvo iyari yo yose; yabishuye ko mw'irema atari ko Imana yari yabishatse, ahubwo vyavuye ku bugaba bwabo. Ati rero ico Imana yafatanije, umuntu ntakagitandukanye » (Mat.19,4-6). Dufatiye aho, turemeza ko Kristu atashinze gushasha ibanga

ry'ukwabirana, ariko **yashimangiye iteka ryamanye kuva mu ntango,** arigira « Isakramentu ».

- Kubera ico rero, Kristu niwe shimikiro ry'ubugeni rukristu bwose. Ukwubaka rukristu uhawe Isakramentu, kurafise akaranga kwisangije ugereranije n'ubundi bugeni, ako karanga ntigafatiye gusa ku mibereho myiza ; kubw'inema y'Imana abarironse bagabana, iyo bazigamye bakagendera neza iryo teka batewe, akanovera k'Ijambo ry'Imana kaguma kiyongera muri urwo rugo, gutryo n'abubakanye bakagira umubano ukomeye n'urukundo rushingiye ku buzima, ata na kimwe coza kibatandukanya, atari urupfu gusa.

- Muri iryo sakramentu ry'Ukwabirana, Kristu Mukama arahunda imihezagiro urwo rukundo rwiyerekana mu buryo bwinshi, kandi rukomoka ku Mana, rugashingira ku kimenyetso c'ubunywanyi bwa Kristu n'Ekleziya (Igitabu c'Ikatekisimu, n°1602). Ni aho hari igisigabwenge c'ubumwe n'urukundo rw'umuhivu, rw'intacika abubatse bagiriranira nka rumwe nyene Kristu yakunda Ekleziya, akayigura (Efezi 5,24-25) **Inema y'Imana n'ububasha bwayo birabaherekeza mu buzima bwabo bwose**, iyo bagumije ku muzirikanyi indagano bemeranije imbere y'Imana n'Ekleziya, ishengero rikoranye. Muri ico gihe, umugabo ntiyiyumvira guharika kuko aba yishe bwa bumwe bw'abubatse rukristu, bukomezwa n'ubudahemuka nka bumwe bwa Kristu n'Ekleziya. Yezu Kristu rero arategeka abubatse kw'izina ryiwe gukomeza urukundo rutagira agahemo, rwiheberanira kandi rutarondera akunguko kuri umwe n'uwundi.

- Ni yo mvo mu kwitegurira kwubaka rukristu, urwaruka **rwobanza gushira hamwe na Kristu n'Ekleziya,** kuko Yezu Kristu niwe azoba ishimikiro ry'ubuzima bwabo, bakazigama ibanga, bibaza n'ingene bazobana nk'uko Imana ibishaka, mbere bagafata n'umwanya wo gusabira uwo bazokwubakana kugira ngo Imana Yo nyene ibafashe guhitamwo uwo bazobana mu rukundo n'umwumvikano gushika gupfa kwabo. Bararonka inyigisho zitandukanye mbere bakipimisha umugera wa Sida, abigeme bakipimisha imbanyi kugira bubakane bizigiraniye.

- Ni co gituma rero, ukuresha kwofata umwanya ukwiye n'imiburiburi nk'umwaka umwe (hariho mbere abamara imyaka ibiri canke irenga), bakabanza kubona ico umwe ashima canke yanka, kugira ngo ntibazofyinishe Isakramentu, kuko ari Imana ubwayo ibifataniriza. Urwaruka rwirinde ihutihuti kuko barayamaze bati : « Imbwa yarihuse ivyara ibihumye ». Ugurtyoza isakramentu ni ugutuka Imana yihishije muri ryo. Iryo sakramentu rizobafasha kudahugumbwa no mu bihuhusi bishobora kubangamira ingo na canecane iyo barihawe baryiteguriye neza, kandi bafashe umwanya ukwiye wo kubisaba Imana. Ingo zishira imbere Kristu muri vyose, zigira amahoro n'umunezero, ziramenya kwihanganira ibigeragezo n'ivyago bishika mu buzima, ziberaho mu bugwaneza, imbabazi n'ubupfasoni. Zaba ingo zubatse, baba abatarubaka, ntitwanjanjwe kuri iryo jambo rirahambaye. Urukundo ntiruramba iyo ruterekanywe

## GUSOZERA

Nk'uko duhejeje kubinoganza muri iyi nyigisho, haba mu mico n'imigenzo y'abarundi, haba muri Leta no muri Ekleziya, gushinga urugo baravyitegurira, hariho intambwe zikurikizwa. Ni bazubahirize ntibaze barazisimba. , kuko uwo muzobana ubuzima bwawe bwose mu mahirwe no mu marushwa ataho umushira canke ngo agushire, ni ibanga rihambaye.

- Ugushinga urugo ni nk'ukwubaka inzu, inzu y'umutima. Inzu yose, kugira ngo ikomere itegerezwa kugira umushinge. Iyo naho idafise umushinge, ntikomera, ntiramba, ntiteba gusenyuka. Umushinge w'Urugo ni Yezu Kristu, ukumwubakirako na kwo ni uguca mu nzira yatweretse igihe yashigikira ubugeni bw'i Kana mu Bugalile, tukamuha icicaro, ijambo mu rugo rwacu, akama ahafise ikibanza

kimubereye. Uwucikira canke uwucikiza ntaba yubakiye ku mushinge, aba yubakiye ku musenyi, ku gicumuro. Igicumuro naco gifise ingaruka mbi nyinshi. Impera n'imperuka birasenyuka, kandi iyo bisenyutse gusubira kwubaka ni urugamba rukomeye.

Twigire inama yo guhinduka, ingeso mbi yo gucikira no gucikiza tuyirandurane n'imizi, kuko ni igitutsi ku bakristu, muri paruwase yacu. Ingo zacu ni zibe ingo z'imihezagiro.

Muryango Mweranda w'I Nazareti, Dusabire !

IV. <u>IBIBAZO VYO MU MIGWI</u>

1) Dondagura ingorane tubona uyu musi ku bipfuza kwabirana, ni izihe ?
   a) Dondagura iziva ku bavyeyi.
   b) Dondagura iziva ku basore n'inkumi.
   c) Dondagura iziva ku mico n'imibereho y'abantu.
2) Ugucikira n'ugucikiza biva kuki ?
3) Dondagura ingaruka mbi ziva ku gucikira no gucikiza.
4) Ni izihe ngorane zituma abigeme bavyarira iwabo ?
5) Dondagura inkurikizi mbi ziva ku kuvyara amashushu.

V. Vuga ivyokorwa kugira ngo mutuze burundu ugucikira, ugucikiza n'ukuvyara amashushu (ukuvyarira iwabo) muri Paruwase yanyu.

<u>IMIGWI</u>

| Abagabo ukwabo | Abagore ukwabo | Inkumi Ukwazo | Imisore ukwayo | Abapfakazi ukwabo | Abanyeshure Ukwabo | Abakozi ba Leta Abagabo | Abakozi ba Leta Abagore |
|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | | | | | | |

Bahejeje gukorera mu migwi, baca baja hamwe bose bagashikiriza ivyiyumviro begeranije, bagashira hamwe ivyo bahurijeko, bagaca bagira icegeranyo kirungikwa kwa Patiri Mukuru. Hanyuma nawe n'abo bafashanya ubutumwa bakagira icegeranyo ca paruwase yose, kikarungikwa mu biro Nshingwabutumwa vya Diyoseze ariko nabo nyene bagisigaranye.

Ibiro Nshingwabutumwa vya
Diyoseze BUBANZA.

**VYEMEJWE NA:**
Musenyeri Théogène MURWUWUNDI
Umuyobozi w'ibiro nshingwabutumwa

DIOCESE DE BUBANZA
BUREAU PASTORAL
D.S. 213
Bujumbura